Nyenicubahiro Mana Mushobora vyose udahengeshanya kumurikira Abarundi uberekeza mu nzira itazimiza,

Nyakwubahwa Urongoye Ihuriro ry'Imigambwe,

Nyakwubahwa Buramatari w'Intara ya Ngozi,

Banyakwubahwa Ndongozi z'imigambwe,

Banyakwubahwa mwese mwatumiwe muri iri koraniro,

Tugire Amahoro, sangwa Amahoro, Ubumwe, Ibikorwa, Iterambere n’Ubutungane mu Burundi;

1. Munkundire tubanze dushimire Imana iguma izigama Uburundi, ikatwereka ivyo amaso yacu atari bwabone ikongera ikaduhumuriza.

2. Ni ivy'ukuri, iyo Imana itaba yari ku ruhande rwacu, muri ibi bihe turimwo, Uburundi ntibuba bumeze uku. Ibi bihe vyarerekanye ko Uburundi bwahindutse, ko icigwa co kuzirikana igihugu catubereye kirumara, ko ubu Umurundi asigaye azi gutandukanya ikibi n'iciza ku gihugu ciwe.

3. None rero reka tumare umwanya twibuka uwadushize muri ayo mateka yatumye tutakiba ubusimbirahamwe, Intwari rurangiranwa

Nyenicubahiro Nkurunziza Petero aheruka gushengera.....(Murakoze Cane).

4. Twashaka imbere ya vyose tubakeze, kuko Abarundi n'amakungu bakenguruka cane inyifato yaranze imigambwe imbere y'amatora, mu matora nyezina, n'inyuma y'amatora tumaze gusozera, kandi turizeye ko n'amasemo asigaye azogenda neza.

5. Ni iteka Abarundi baraye biteye, barikura mu menyo y'abatwenzi bibaza ko tudashoboye kwitunganiriza ibijanye n'iteka ry'igihugu.

6. Ku vyukuri, turavye ivyahora biba mu matora kandi amakungu yahora yama aza kuturereka, ubu Abarundi tukaba twaravyitunganirije ata gitsure kandi bikagenda neza cane, turashobora kuvuga ko Abarundi biganje mu gihugu cabo kuko ubu turashoboye kwitunganiriza kazoza kacu.

7. Imigambwe yahiganwe idahezanyayo, ari na co campaye ingoga zo gutunganya iri huriro kugirango dusangire ikiyago. Ni co kandi

cantumye mu gushinga Reta ntaraba umugambwe nkomokamwo gusa ngo ni uko ari wo watsinze, ariko nkiyumvira abari mu yindi migambwe, abatagira umugambwe bakukira ndetse n'abari mu mashirahamwe y'abenegihugu adaharanira ubutegetsi.

8. Gutora gutyo bikaba vyavuye ku cizere nabonye ko ubu Abarundi bose bamaze kugira wa mutima sogokuru yatwigisha wo gukunda igihugu, nkaba ntakekeranya ko tugiye gusangira ikivi na bose kuko iyo Reta bose bayibonamwo, bayifitiye icizere.

9. Si ivy'imbeshere, uburongozi bushasha bukomoka mu matora duherukamwo muri Rusama 2020, buje bufise ishaka ryo kugira Uburundi igihugu gitekanye, igihugu bose bafise impore mu mutima, igihugu bose bafise ishaka ryo kugikorera.

10. Kugira ivyo bishoboke, twiyemeje ko inzego z'igihugu zibwirizwa kwita ku rutare kugira ngo zikore ibitunganye, vyerekeza kuri kazoza keza k'umuntu wese ari mu Burundi, kumwe n'abazoza kuhaba baturuka hirya no hino kw'isi.

11. Muri iyo ntumbero, ni nkenerwa ko abanyeporitike, ubwambere, bahabwa ijambo, bumve ko badakumiriwe kandi bagire ico bavuze ku kugene inzego zije zokwitaho gukorera abenegihugu canke ingene babona zari zikwiye kubatunganiriza.

12. Ni co gituma mw'Ijambo ry'Umukwanguro w'ibikorwa ngiye gukora nk'Umukuru w'Igihugu, nabemereye ko tuzokwama na ntaryo tuganira, mu bugwaneza, duhuje umutima n'inama.

13. Kira noneho, tutabikoze ukwo, twoba duhemukiye ba sokuruza, bo bama na ntaryo baja inama n'ingingo, bakitwararika ko ata n'umwe aniganwa ijambo. Uwo muco tuzowusasira indava, tuzirikana ko ari ya nzira nziza bacamwo kabiri.

14. Kira noneho, jeho sinobima ijambo twararisangiye mu rugendo rw'amatora mugatako mukantera intege igihe mwasanga ari jewe abenegihugu bashize imbere. Mwame muzi ko mwangize uwambere mu bangana, nico gituma naje kubasaba intererano yo kubakorera muri iki kiyago kigira gitangure.

15. Ni ako karanga n'akarangamutima kama, ko kuganira, twisunga uyu musi kandi tutipfuza kuzokadohokako. Ndetse ni co catuzanye kuko ntitwokubita isemo ya mbere tutumvirije iryo mugona, na cane cane ko tuzi ko benshi muri mwebwe mufise ivyiyumviro n'ivyipfuzo vyiza, vyoshobora gutuma igihugu cacu gitera imbere ndetse kikama gitekanye.

16. Twebwe turemera kandi turemanga ko ico cose twobakorera, mwebwe abenegihugu, mutazi ico dushaka kubashikanako cobatera

amakenga. Ayo makenga na yo agatuma mukigwanya, kikanigirwa mu menshi, kandi kumbure hari aho cobagiriye akamaro.

17. Erega kugira ngo twumve ko dutekanye mu mutima ni uko twese tuba tubona kumwe ivyo turimwo mu nzira yo kurondera itekane n'iterambere rusangi.

18. Kugira kandi tugire igihugu gitekanye, ni uko uburenganzira bw'abenegihugu bungana kuri bose, mbere bagahagararirwa n'amategeko hamwe n'inzego z'igihugu.

19. Icatumye tudatekana mu gihugu, ngo twiyumvire kandi dukore imitima iri mu nda muri iyo myaka iheze, ni uko hari ivyipfuzo twavugira mu ntamatama, kumbure kuko twabona ko biteye isoni imbere y'abantu; ariko tukagenda turahiga kandi vyatunaniye kubivuga.

20. Nk'akarorero kwica umwenegihugu ataco mupfa kugira ngo ushikire ivyicaro mu nzego, ntivyari vyoroshe kwemanga mu biganiro, imbere y'abantu, kuko waba uzi ko urya ugomba gusubirira nawe niyataha ashobora kukwica canke akakwicira uwawe, kugira ngo asubire mu kibanza wamwambuye.

21. Ntakindi catumye abanyepolitique bamara imyaka n'imyaka bariko baraganira, batababaye ko abenegihugu bari mu magorwa atagira uko avugwa. Baguma mu biganiro vya zunguzungu, bavuga ntibatobore kuko ata mvo yari ihari yo kugira imituri itunga rusangi, abo barisangiye bose batatumiwe.

22. Biranejereje ko muri iki gihe abanyepolitike dutegera ko umuntu ka muntu naho yoronka iyo ntebe, amahoro ataba abonetse mu gihugu, kuko turya twiza uba urondeza igikenye n'uwundi na we adukeneye kandi adufitiye uburenganzira.

23. Ni co gituma ico nipfuza kandi ndabasaba ari uko twojana twese, dufatanye amaboko turiko twubaka igihugu cacu kugira turonke ibidukwiye dusabikanya. Erega "Ntawusomera induru ziriko ziravuga".

24. Umuntu wese, yaba umunyamugambwe canke atari we, arakeneye ko abona ko afise uburenganzira bwo kwikorera ibimuteza imbere, no gukorera igihugu.

25. Ni co gituma twese dusaba ubwambere agateka gahabwa kiremwa muntu, ukworoherezwa mu buzima rusangi, kugira

uruhara mu buzima bw'igihugu, haba mu kugikorera canke gushiraho indongozi, canke mu kuronka uburenganzira bwo guhagararira, mu runani, ineza ya bose. Ivyo tubihurirako twese, tuvyumva kumwe.

26. Umuntu wese ategerezwa kugira uburenganzira bwo kugira ico avuze mw'itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, akagira uburenganzira bwo kubungwabungwa, gusabikanirizwa itunga rusangi co kimwe n'abandi, no kwiteza imbere akongera akabaho mu mwidegemvyo bataravye ico ari muri kamere yiwe Imana yamuremanye.

27. Ivyo ni vyo Reta ndongoye yiyemeje guharanira; kuko ubwo burenganzira habuzemwo na bumwe, abenegihugu baca batuntura bigatuma haduka umudugararo n'intureka mu gihugu, kuko atawuba afise umwizero wa kazoza kiwe.

28. Ugirango, mu gihugu abantu bababazwa n'uko barongowe na naka canke na naka, canke ngo nuko barongowe n'uwuva mu bwoko ubu canke intara iyi?

Igikunda kubabaza abenegihugu, ni ukubuzwa uburenganzira bwabo be no kuriribwa ivyabo babona; ataco bari buvuge. Ni co

catumye Abarundi bashegeshwa n'intwaro za ryogora duhure zari zaranyose Uburundi, bubaka intwaro ishingiye kuri Demokarasi.

Benewacu mwese uko muri mu migambwe itandukanye mu karangamutima ka poritike,

29. Dusanzwe tuzi ko Demokarasi itababarira kandi itihanganira ikumira ry'umuntu n'umwe canke ry'umugwi w'abantu uwo ari wo wose. Ntiyorenzako rero uruho rw'amazi umugwi woza uhonyanga amategeko n'imico y'igihugu.

30. Demokarasi ni yo yonyene yemerewe kubanguranya abagwanira kuja imbere y'abandi ariko ntikumira uwutatsinze mu biraba ubuzima bw'igihugu.

31. Ni co gituma abatowe guserukira abandi mu nzego z'igihugu bafise na bo ivyo bategerezwa : Kwitaho no gukurikirana ko abenegihugu bose baroraniwe. Reta ifise ivyo itegerezwa gukora vyanse bikunze na vyo bigashirwa mu ngiro n'abantu batowe kuyiserukira.

32. Ica mbere ni Umutekano w'igihugu n'abenegihugu. Reta ni yo irongora ikongera igahuza ibikorwa vyose biraba ko umwenegihugu akingiwe koko. Iyo na ho habaye ubukozi bw'ikibi buhungabanya agateka k'abenegihugu, Reta itegerezwa gukurikirana inkozi z'ikibi zose no kuzihana kugira ngo ibihanize ntibazosubire, ndetse n'abarota guhungabanya agateka ka muntu ntibazocutse n'umutima.

33. Kumwe n'ivyo, Reta itegerezwa gukora ibishoboka vyose kugira abenegihugu biyumve nk'abantu iyo bari hose, imbere y'ayandi makungu. Ni muri iyo ntumbero Reta itegerezwa kugira uruhara,

ikitwararika ko abenegihugu bose na cane cane abatishoboye bagira ubuzima bwiza, basabikanirizwa itunga rusangi.

34. Ni co gituma ari umuziro uzirwa ku ndongozi, kwaka igiturire kugira ngo itunganirize abenegihugu canke gusesagura no kunyuruza itunga rusangi.

35. Muri iki gihe tugezemwo vyibonekeza ko ivyari imagera vyageruye, hariho ibibazo bitegerezwa gutorerwa umuti, bikava mu gitero n'icitabirizo c'ururirimbo rw'abatipfuriza ineza Abarundi n'Uburundi.

36. Ni ico cadukabuye kugirango dutangure gutunganya ibiganiro nk'ibi, ku migwi ihuriwemwo n'abenegihugu batari bake, kugira ngo ntihagire uwurenganywa. Twipfuza ko Umurundi wese aronka aho avugira kugira ngo nawe atange umuganda wo kwubaka igihugu ciwe.

37. Turizeye kandi ko namwe mu migambwe iwanyu muha ijambo abo murongoye, kugira ngo ivyo mushikiriza bibe koko ivyo muba musangiye mwese.

38. Ivyo tubivuze kuko twabonye ko muri kahise hari abanyamigambwe basaba bisabira, bica bituma imigambwe itari mike yicamwo ibice. Naho bamwe baciye bagiriza ko ari Reta yabikoze, urupfu rukajana n'impfane.

Benewacu murongoye imigambwe,

39. Ibiganiro mu basangiye igihugu ni nkenerwa. Ni nkenerwa kugira ngo dutsimbataze demokarasi, kandi ibiganiro ni co kimenyetso, ni rwo rupimo rutuma hasuzumwa urugero igihugu kigezeko mu guha

ijambo abenegihugu n'umwidegemvyo bafise mu gushikiriza ivyiyumviro vyabo mu kwubaka igihugu.

40. Ibiganiro dushaka si bimwe vyo kwihereranya abo dusangiye akarangamutima mu vya poritike ngo mwigire inama yanyu. Ibiganiro dushaka ni uko umwe wese, yaba umunyamugambwe, umunyamuhari canke uwigenga, ashikiriza mu mwidegemvyo ivyiyumviro vyiwe n'ivyo abo aserukira.

41. Ni co gituma ari vyiza ko bitunganywa mu nzira irimwo ukwishira n'ukwizana, ata wunegurwa ngo ni uko avuze iki canke kiriya kitanezereza uyu canke uriya, kandi na we akavuga afise ku mutima ko abandi bashobora kumugorora aho kaba kamusovye.

42. Turemeza ko ibiganiro hagati y'abanyeporitike ata numwe akumiriwe bituma umuntu wese atekana ku mutima, igihugu kigatekana, ndetse bituma abantu bose barengera indryane mu kwiyubara ikibi gishobora gushika; kuko "ahari abantu hama urunturuntu", kandi ko "atazibana zidakubitana amahembe".

43. kanatsinda ibiganiro biratuma hagaruka itekane ku bahora binubana. Nico gituma, ibiganiro ari vyo nzira irashe yo gukinga amatati, bituma tuzitira tutaronerwa.

44. Benewacu, ibi biganiro hagati y'abanyamigambwe ni akaryo ko gusuzuma aho igihugu kigeze n'ivyokorwa kugira ngo utunenge tuhari dutorerwe umuti.

45. Aho twaciye hose, baratubwiye ibibazo bihanze Uburundi, ndetse baradushikiriza ko nka hamwe vyotorerwa umuti Uburundi bwoba bwogoroye.

46. Na mwe turizeye ko ari vyo abanywanyi banyu babatekereye, nk'ababaserukira mu vyiyumviro vya poritique. Ni co gituma

mwebwe ntakekeranya ko mufise uruhara mw'iterambere rusangi ndetse no mu gutuma haba itekane mu gihugu.

47. None rero, reka kuri uyu musi tube turahanahana ivyiyumviro, kugira ngo Reta ironke ivyo ikorerako ku neza ya bose. Mu bibazo bikomeye biguma bigaruka, ahanini twasanze bitagihagaze ku magabura nyama nka kera.

48. Ubu vyishi bihagaze ku **ntwaro ibereye,** ituma Reta itunganya neza ibungabungwa ry'itunga rusangi, ikaba koko **Reta mvyeyi**

nkuko twabibemereye. Ikindi usanga kivugwa ni uko **Reta yoba nkozi** koko, ija ku kivi, ikabera abenegihugu kizigenza.

49. Ico twabonye coco ni iko abenegihugu batonze neza ku rugamba rwo kugwanya ubukene, ubu bakeneye indongozi ziza nk'intwazangabo zije kubaha intumbero ituma umwimbu ugwira.

Ibibazo bikuru bikuru batura Reta kugira ngo ikivi gikuke neza muri ivyo bikuru bikuru ni ibi:

1) Barabona ko hari abakozi bamwe bamwe ba Reta bakirangwa n'ingendo yo gufata igisata bakoreramwo nk'icibare cabo, ndetse

kugirango bakorere abenegihugu bakabasaba gupfumbatishwa, ahandi abenegihugu bakababaha igiturire ku gushaka kwabo bashaka kubasaba kurenganya uyu canke uriya.
Nico gituma twese hamwe dushaka kurondera inzira yo kugwanya ako kabi.

None turashaka intererano iva ku bakorwako n'iyo ngendo kuko nimwe muzi iminyuro ako kabi kazananamwo. None, hokorwa iki kugira ngo

turandurane n'imizi igiturire, kunyonyeza no gusesagura itunga ry'igihugu?

2) Mu vyipfuzo kandi twabonye twohanahanako ivyiyumviro, ni uko bose bipfuza ko iterambere rirama kandi rikaramira bose, ab'ubu n'abazoza. Aho rero twasanze abenegihugu bose bahanze amaso imboneza zabo ari bo mwebwe, ari bo twebwe. None rero tuganire uruhara rwacu muri urwo rugamba rw'iterambere rusangi.

   Ico kibazo kirakomeye kuko abanyeporitique bama na ntaryo bagenzwa n'agatima ko kugabura itunga rusangi na ryo atako

ryifashe. Novuga nti abaryi ni beshi ariko umutsima ukaba muto. Twigire inama kugira ngo turondere ingene umutsima wokakama kuko turabizi, “abasangiye ubusa bitana ibisambo”.

3) Muri iyo ntumbero kandi, ntitwikunde gusa twebwe abanyeporitike; turaziko abenegihugu batarashika ku buzima bwiza ngo batunge batunganirwe mu vyabo. None abanyeporitike boterera iki kugira abenegihugu twese tuje ku kivi, iterambere ryiyongere, Abarundi bose baronke ivyo basabikanya bagashima?

4) Abarundi barakeneye itekane mu gihugu. Barabonye ko umudugararo uterwa cane cane n'abanyeporitike bagwanira ivyicaro. Ko demokarasasi ari yo nzira yo gushika ku burongozi bw'igihugu, abanyeporitike bagona iki kugira ngo indryane nk'izo, ziterwa no guhahamira ivyicaro ntizizosubire mu gihugu cacu?

5) Uburundi bwaraciye mu bihe umwe wese yinuba uwundi gushika naho haba abadashobora kwizera indongozi, bamwe bazikeka ko zokwihora abandi bibaza ko bazokora nk'abo hambere.

Ni vyo vyatumye tuguma twanduye iceyi ko ata mahoro ahari kubera tugifise impunzi. Ndetse igihe cose ufise impunzi, inkozi z'ikibi zose ziraronka impigi kuko zica zihisha mu mpunzi. Dusanzwe tuzi twese ko Uburundi ari ingovyi imwe Abarundi dusangiye twese. Hokorwa iki kugira ngo iyo ngovyi bayiyumvemwo, ntihagire uwusubira kwinuba no kwikeka uwundi, maze impunzi zitahe?

6) Ku bwangingo, imigambwe yose ifise ivyiyumviro vyo guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu. Ni vyo turabona ko bitaho bimwe biboneka kwigisha abanywanyi akarangamutima, ariko ni gake ishira imbere Inyigisho zizamura ubutunzi n'amikoro y'abenegihugu. Ubu tubona ko hageze ko twese tugira urunani mu guhimirizanya mu bikorwa. Habuze iki ngo imigambwe yiteho kurusha iterambere ry'igihugu mu mvugo no mu ngiro?

Banywakwubahwa Ndongozi mu migambwe,

50. Imbere yo gusozera, nobamenyesha ko tutanezerewe na gato kubona hari Abarundi bakigorewe mu buhungiro kandi turiko twigina amahoro mugihugu cacu. Turabasavye kudufasha kwumvisha abo Barundi bari hanze y'Igihugu, ko Uburundi bukeneye uruhara n'agacumu k'ubumwe k'umwe wese, batahuke dufashanye kwubaka imigambwe yacu n'Igihugu cacu.

51. Ni mwumvishe impunzi ko “Aho utari burare wohava kare”, babaze umutima aho kugenza itima, bazirikane ko ata ndakwanka nkagukundira umwana, kandi ko atawurimira amasaka aho atagira amasabo.

52. Abahora bavuga ko batiyumvira kumwe n’umugambwe uri ku butegetsi, baba abari hanze canke mu gihugu bose bareme, kuko muri demokarasi kugira ivyiyumviro bidasa ni ibisanzwe, ariko tumenye ko

tuvugira ineza y'abenegihugu n'Igihugu, kandi ko twese duhuzwa no guharanira amahoro n'iterambere.

53. Uwuvuga kugira ngo avuguruze uwundi gusa, ntazane imigambi yubaka ahubwo ashaka no guhuvya abandi, uwo ni we yomenya gusa ko ataco aba yunguye igihugu n'Abarundi.

54. Turabateye akamo kandi ko kwama mwitwararika ineza y'umwenegihugu, ntimuzoje kumurondera mu gihe c'amatora gusa. Muzirikane ko "Inka uyikama ico wayihaye", maze mwame mwibuka

ko abenegihugu batungwa n'ibikorwa badatungwa n'imigambwe, mubegere musangire ikivi.

55. Turangije tubipfuriza ibiganiro vyiza, kandi tubemerera ko ivyo muja gupfundika ku neza y'igihugu tuzokora ibishoboka kugira tubishire mu ngiro.

Ni harambe Imigambwe ishira imbere ineza ya bose!

Ni harambe Uburundi n’Abarundi!

Imana ibahezagire, Murakoze!